Ukwonsa kuziririza ku wonkejwe ibisanzwe biziririjwe kuri we n'ukuvukana kw'uwo basangiye amaraso

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Ukwonsa kuziririza ku wonkejwe ibisanzwe biziririjwe kuri we n'ukuvukana kw'uwo basangiye amaraso".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko ukwonsa kuziririza ku wonkejwe ibisanzwe biziririjwe n'ukuvukana, hamwe rero n'ugusangira amaraso; nko kuba ari inarume w'umuntu, canke sewabo, canke mwenewabo..., kuranarekurira umuntu kuronka uburenganzira nka burya ahabwa n'ingingo zishingiye ku kuvukana kw'amaraso.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/4311